Umurezi wa MENA

Twafashe ko uri MENA, n'ukuvuga umwana atarakwiza imyaka 18, ava mu kindi gihugu kandi adafise uwumuherekeje.

«MENA» bisigura iki?

Bisigura ko:

- Ufise imyaka iri **musi ya 18**
- Nta **bwenegihugu bw'Ububirigi ufise**
- Nturi kumwe n'abavyeyi bawe mu gihugu c'Ububirigi
- **Nta ruhusha rwemewe n'amategeko** rwo kuba mu Bubirigi ufise

Mu gihugu c'Ububirigi, abana b'abanyamahanga batarakwiza imyaka 18 kandi badafise uwubaherekeje, barafise uburenganzira bwo kuronswa **umurezi**.

None... umurezi akora iki?

Umurezi ni **umuntu tugena kugira akube hafi kandi agufashe mu buzima bwawe bwa minsi yose mu Bubirigi.**

Niwe aguserukira imbere y'amategeko: bisigura ko ariwe agufasha muvyo usabwa gukora vyose kugira uronke uburenganzira bwo kuba mu Bubirigi. Nk'akarorero, nimba uriko urasaba ubuhungiro canke uriko urasaba kuba mu Bubirigi, aragufasha mu gihe cose umara uriko urarondera ibisabwa vyose.

Hari n'ibindi umurezi akora. Ng'utu uturorero tumwetumwe:

- **Arakugendera kenshi**;
- Aragusigurira **ingingo abategetsi bafashe zikwerekeye;**

- Arakuronderera **umushingwamanza** agufasha **ku buntu**;
- Arasuzuma ko ahantu uba hakuguye neza kandi, iyo bikenewe, **aragufasha kurondera ahantu ho kuba hokugwa neza;**
- Arakwandikisha mw'ishure kandi ategerezwa kuguma asuzuma ko ata kibazo na kimwe ufise **kw'ishure** ;
- Iyo ufise ingorane zijanye n'amagara yawe, arakora ibishoboka vyose kugira uvurwe neza;
- niwe amenya uko amahera yawe akoreshwa kandi mubanza kubiyaga;
- iyo hari ingorane, arakwumviriza ukazimuyagira;
- arubahiriza ivyiyumviro vyawe n'ukwemera kwawe;
- Arakuganiriza ku bijanye na kazoza kawe;
- Iyo ubishatse, **aragufasha kurondera abavyeyi bawe;**

Ufise ibibazo vyerekeye ibikorwa umurezi **wawe ajejwe** gukora, urashobora kubimubaza.

Udukeneye wodutora gute?

Urashobora kudutora umwanya wose kuri iyi nomero ya terefone:

078/15.43.24

Urashobora kandi kuturungikira **ubutumwa ukoresheje ubuhinga ngurukanabumenyi kuri:**

tutelles@just.fgov.be

Ukeneye uwugufasha kudutora, urashobora gusaba uwujejwe guteza imbere abantu mu kibano asanzwe ariko aragufasha mu kigo cakwakiriye akakwereka uko wodutora canke ugasaba **umushingwamanza wawe** akagufasha.

FEDERAL PUBLIC SERVICE JUSTICE

Co-funded by the European Union

Ivyo kugira umurezi bizomara igihe kingana gute?

Umurezi wawe aragufasha gushika **ukwije imyaka 18**. Ukwije imyaka 18, uca widegemvya.

Ivyo bisigura iki?

Bisigura ko haba hageze ko wewe nyene ubwawe utangura kwitwararika ubuzima bwawe.

Umurezi ntazoba agishobora kugufatira ingingo. Mugabo ntugire ubwoba, **umurezi wawe azogufasha gutegura isabukuru yawe y'imyaka 18:** azoguha impanuro kandi azokubwira ivyo utegerezwa kumenya.

Ariko birashoboka ko akazi k'umurezi wawe gahagarara imbere yuko ukwiza imyaka 18: bishitse abavyeyi bawe bagashika mu Bubirigi canke bishitse ukava mu Bubirigi. Ivyo biramutse biba, tuzokurungikira ikete rikumenyesha ko ata murezi ugifise. Uwo murezi azobikubwira.

Bigenda gute iyo bishitse ukagiranira ingorane n'umurezi wawe?

Uwo murezi ategerezwa kukwumviriza kandi akakuba hafi. Gerageza kumubwira ibitagenda neza.

Niyo ibintu bitasubira mu buryo naho?

- **Turondere**; turashobora kugerageza gutora umuti w'ico kibazo.
- **Urashobora kandi kwitura umushingantahe atatura amatati mu kibano.** Ajejwe gutorera umuti ingorane ziri hagati yawe n'umurezi wawe. Urashobora kutubaza amakuru yiramvuye canke ukayabaza umukozi ajejwe ibikorwa vyo guteza imbere abantu mu kibano (travailleur social) akorera mu kigo cakwakiriye.